www.kidworship.kr


129Page


130Page


131Page


132Page

# Isangira rya Nyuma

- 16th story -

**Uwuvuga** Ingaburo y'umutsima utambiye, yitwa Pasika yari yegereje. Pasika yibutsa ukubohoka kw'abisirayeli mu buja muri Egiputa hamwe n'ubwigenge bwa bo nk'igihugu. Ku bisirayeli, Pasika wari umusi udasanzwe w'umunezero kandi wategerezwa guhimbazwa. Yesu amenya ko umwanya wiwe kw'isi wegereje kurangira ko agiye kuduga mw'ijuru vuba. Hasigaye umusi umwe ngo Pasika ishike, Yesu akoranya abatumwa ngo basangire bidasanzwe nyuma.

.......................................................................................................

**Uwuvuga** Abigishwa biwe bose bamaze kwicara ku meza, yesu atangura kuboza ibirenge. Baratangara.

**Abigishwa** Mukiza, woshobora gute kutwoza ibirenge? Oya ibi ntibikwiri-ye.

**Uwuvuga** Naho abigishwa bamera nk'abavyanka, Yesu yoza ibirenge vy'umwigishwa umwe ku wundi. Abigishwa bayoberwa ico bokora. Harahava hashikirwa Petero.

**Petero** Mukiza, ugira unyoze ibirenge vyanje bicafuye nk'uko uri umushumba wanje? Oya ntuzigera unyoza ibirenge.

**Jesús** Ntakwogeje ibirenge ntuzoba uri mu banje.

**Petero** Ahubwo Mukiza, ntunyoze ibirenge gusa ariko n'ibiganza n'umutwe wanje nawo!

**Uwuvuga** Petero arigarura ahubwo asaba Yesu kumwoza kuruta.

.......................................................................................................

**Uwuvuga** Ahejeje kwoza ibirenge vy'abigishwa bose, Yesu aricara ku meza arababwira.

**Yesu** Ubu ko jewe, umukiza n'umwigisha, ndabogeje ibirenge, namwe mukwiriye kwozanya ibirenge. Nabahaye akarorero kugira ngo mugire nk'uko nabagiriye.

**Uwuvuga** Abigishwa banezererwa amajambo Yesu ababwiye mu mitima. Hanyuma Yesu afata umukate, arashima, arawu-manyura hanyuma awusangiza abigishwa.

**Yesu** Uyu ni umubiri wanje muhawe ; ibi murabikore munyibuka.

**Uwuvuga** Co kimwe nyene, atora igikombe, arashima aca agihereza abi-gishwa.

**Yesu** Iki gikombe ni ikimenyetso c'amaraso, aza guseseka ku bwanyu kugira ngo akize bose ibicumuro vyabo; ibi murabiko-re munyibuka.


133Page

**Uwuvuga** Yesu aca abarira abigishwa biwe.

**Yesu** Umwe muri mwebwe araza kumpemukira.

**Uwuvuga** Aho Yesu yariko avuga Yuda Isikariyoti. Abigishwa biwe bagira ubwoba. Yesu arongera.

**Yesu** Urupfu rwanje ni ubugombe bw'Imana; ariko haravumwe umuntu ampemukiye! Vyari kumubera vyiza iyo atava mu nda kwa nyina.

**Uwuvuga** Bafise ubwoba, abigishwa babaza Yesu.

**Abigishwa** Mukiza, yoba ari jewe?


**Yesu** Ni uwo nza guha iki kimanyu c'umukate.

**Uwuvuga** Hanyuma aca agiha Yuda Isikariyoti. Yesu aramubarira.

**Yesu** Ivyo wagambirije gukora, binyarutse!

**Uwuvuga** Yesu agihejeje kubwira Yuda ivyo, Yuda aca ava ku meza yihuta nk'uko umengo ubwenge bwiwe bwatakaye nk'uwucumiswe. Abandi bigishwa ntibari bazi ico Yuda yariko ategura gukora.

---


134Page

**Uwuvuga** Bahejeje gufungura, Yesu abwira abigishwa biwe.

**Yesu** Naho mwese mwankwirikiye gushika uyu musi, vuba mugiye kumpemukira musabagire.

**Petero** Mukiza, naho bose boguhemukira, jewe sinzobikora, sinzokwigera ndaguhemukira, Mukiza.

**Uwuvuga** Muri abo batumwa cumi na babiri, Yesu yakunda cane Petero.

**Yesu** Petero, ndakubwire ukuri, mw'iri joro, imbere inkoko iza kubika uranyihakana gatatu.

**Uwuvuga** Petero aravugana n'ishavu.

**Petero** Naho kwoba ari gupfana nawe, sinzokwigera ndakwihakana!

**Uwuvuga** Yesu abarira abigishwa biwe.

**Yesu** Iyo ngiye, ntimwoshobora kunkurikira ubu nyene, ariko muzonkurikira mu mu nyuma. Ngiye mw'ijuru kubategurira ikibanza. Nzogaruka ndabajane kubana nanje ahondi. Yesu asezeranira abigishwa biwe ko azogaruka kubajana aryoherwa n'ugusangira nabo ubwa nyuma.

---


135Page

**Uwuvuga** Uwo musi, abigishwa ba Yesu bibuka gusangira umukate na vino mw'isangira rya nyuma. Ubu ivyo vyitwa "guhimbaza isangira ryera." Mw'isangira ryera, twibuka Yesu Kristo yadupfiriye ku musaraba kubw'ivyaha vyacu, tukabigendera hanyuma tukamuha amashimwe.